**URWEGO NSHINGWABIKORWA**
**IBIRO VY'UMUKURU**
1837 Lakewood village Dr
Antioch, TN 37013, USA.
Tel.+1 615 300 6330

Kuwa, 27 Rusama 2023

**Réf.: CE 27/05/DB/23**

## GUHOZA UMURYANGO WABUZE

Abarundi twese iyo dupagasa hanze y'Uburundi, twaguye mu gahundwe aho twumviye urupfu rwa giturumbuka ruherutse gushikira Umutama Nkeshimana André iyo yaba mu gihugu c'Ubuholanzi.

Nta Murundi Atari azi mutama Nkeshimana André biciye mu bikorwa vyiwe vyinshi vyiza yakorera Abarundi baba abari hanze y'igihugu canke abari hagati mu Burundi.

Benshi twari tumuzi tubicishije mu mashini zo gufyatura amatafari yahora yibungenga agashirwa azishikanye mu Burundi ; abandi bari bamuzi biciye mu mashini zikora imikate i Bujumbura, i Gitega n'ahandi; abandi nabo bari bamuzi biciye muri scanner yabungenze kuva i Bulayi akayizanira Abarundi,

Eka Umurundi wese aho ari yarafise icamutumye amenya mutama Nkeshimana André.

Aho twumviye rero ko uyo mutama wacu atakiri kumwe natwe twatahuye ko ari mw'ijuru i buryo bwa Data kuko aberanda bose ariyo baja.

Nta nkeka ko abizera bose tuzosubira guhurira na mutama Nkeshimana André mw'ijuru.

Ariko tukiri hano kw'isi urupfu rurababaza kandi ntirumenyerwa.

Turahojeje rero umuryango wiwe n'Abarundi bose.

Imana imwakire mu bwami bwayo.

Kw'izina ry'Abarundi bose bapagasa mu mahanga,

---------------------------------------------------

Umukuru w'urwego Nshingwabikorwa Diomede Richard Misigaro